Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Juli / Mukakaro2019 *kirundi*

Ni mugende mu bihugu, mumenyeshe inkuru nziza!

(Mk 16,15)

Ba ingabire
Be a gift!

Bakunzi b'Ijambo !

Igihe namubona ubwa mbere hari mw'isinagoga ya Oswiecim / Auschwitz.Yari umuyabaga w'Umudagikazi ariko afasha ku gushaka kwiwe umwaka wose muri ico kibanza gisa n'igisebe ku Bulaya. Ico gihe yayobora umurwi w'abanyeshure b'Abadagi, abereka ingene abayahudi bahatikiriye. Igiye yariko arasigura ivyerekeye umwigeme wo muri ico gisagara yakundanye n'Umuyahudikazi banganya imyaka mu gihe c'ayo makuba, amosozi yarantembereye mu maso. Umutima wiwe warimwo igisharara c'ubuntu n'urukundo ku buzima bw'umuntu uwo ariwe wese.

Niho rero muri uyo mwaka yaja mw'ikambi ya go4peace. Igihe yari umunyeshure, yari yarabaye i Paris, araheza ariga igifransa. Aho yariko afasha ku gushaka kwiwe muri Pologne, gifitaniye agasanira na Schlesien, yaronkeyeho akaryo ko kwiga ururimi rwaho. Mu nyuma niho numva ko yagiye mw'ihwaniro biga igifransa, ikidagi ben'ururimi rwa Pologne. Emwe ni Umunyabulaya kasisa.

Igihe cose naguma mbona akeye mu maso. Umutima wiwe warurumbamwo igisharara c'urukundo ku muntu wese, cane cane ku baruhijwe. Niho haza umukenyezi yaguma anyegera, ansatira, araheza ambwira icari ku mutima. „bwari bwamaze kwira, muma saa tanu y'ijoro, hatabona, nawe akaba ahagaze kuri gare. Mu ntango sinari nzi ko noguma mpagaze, canke ko nomuhunga. Araheza aramvugisha. Yambwiye ko bamwivye amafaranga kandi ko aho ahagaze yumva adatekaniwe. Niho hanzamwo icivugo twari dusanganwe uyo musi, kigira kiti „*hindura umwijima mu rukundo"*. Ico civugo carankozeko. Sinari nzi ko ivyo uyo mugore avuga ari ukuri, canke ikinyoma. Ico vyari bikoze cose, ukuri kwari uko muri ico gihe atashaka kuba we nyene.Niho rero naca nguma iruhande yiwe, turayaga, ndamuha n'amahera ngo atafe itreni ikurikira. Duhejeje kuyaga, niho yambaza n'ubukengurutsi izina ryanje. Aho itreni yanje iziye, nkabwirizwa kwurira, niho numva asemereye izina ryanje „Tereza", hamwe na „urakoze" ivuye mu mutima.

„Ni mugende mu bihugu, mumenyeshe inkuru nziza!" - Ubuzima bwa Tereza buravuga – kenshi ata majambo. We nyene ni ingabire y'abo bahwana. **Nawe ba ingabire! - Be a gift!**

Ku bwa OnWorldTeam Meinolf Wacker